Yezu Kristu ni nde? (Igice ca 3)

Bishingiye ku kigabane ca 4 c'igitabu *Mu vy'ukuri Bibiliya yigisha iki?* Ico gitabu kiraboneka kuri jw.org.

INTUMBERO: Gusuzuma ivyo wemera n'igituma uvyemera, gusuzuma ivyo Bibiliya yigisha be no kubona ukuntu wosigurira abandi ivyo wemera.

YEZU YARI UMUNTU AMEZE GUTE?

1 SUZUMA IVYO WEMERA

Wibaza ko abandi bantu bovuga ko yari umuntu ameze gute?

Wewe wovuga ko yari umuntu ameze gute?

Kubera iki wishuye gutyo?

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

2 SUZUMA IVYO BIBILIYA YIGISHA

Yezu yariganye Se wiwe, Yehova Imana, mu buryo butagira agahaze.
(Raba ikigabane ca 4 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 15-19.)

Soma Yohani 14:9.
Yezu yashaka kuvuga iki igihe yavuga ati: "Uwubonye jewe aba abonye na Data"?

Soma Matayo 9:35, 36; 21:12, 13; na Mariko 10:13-16.
Yezu yagaragaje gute ububasha n'ukwengenga?



Umusobanuzi mwiza ntasobanura neza gusa ivyo uwo ariko arasobanurira avuze ariko kandi arigana n'inyiyumvo yashizemwo. Muri ubwo buryo nyene, Yezu yaragaragaje ata gahaze ivyiyumviro vya Se n'inyiyumvo ziwe

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

Yezu yari intahemuka.

(Raba ikigabane ca 4 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 20.)

Soma Matayo 4:1-11.

Igihe Yezu yananira ibigeragezo vya Shetani, yerekanye gute ko yari intahemuka ku Mana?

Yezu yaricisha bugufi.

(Raba ikigabane ca 4 c'igitabu *Ivyo Bibiliya yigisha,* ingingo ya 21-22.)

Soma Abafilipi 2:8.

Ni kubera iki vyasaba ko Yezu yicisha bugufi kugira ngo akore ivyo Imana yari yaramusavye gukora?

Ni kamere izihe Yezu yagaragaje wewe ubona ko zigushimisha cane?

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania

3 SIGURA IVYO WEMERA

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Ntibishoboka kumenya ukuntu Imana imeze kubera ko ata n'umwe arayibona.

WOSHOBORA KUVUGA UTI: …

Ni ivy'ukuri ko ata muntu n'umwe arigera abona Imana. Ariko ndemera ko Yezu ashobora kutwigisha ukuntu Imana imeze kubera ko…

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

HAGIZE UWUKUBWIRA ATI: …

Yezu nta bubasha yari afise; ico yakora gusa kwari ukwigisha urukundo.

WOSHOBORA KUVUGA UTI: …

Abantu benshi boshobora gushigikira ico ciyumviro. Ariko jewe sinogishigikira kubera ko…

_____

_____

Ni icanditswe ikihe wokwereka uwo muntu?

_____

Ufise mu bwenge ukuntu uwo muntu abona ibintu, womufasha gute kuzirikana kuri ico canditswe?

_____

www.jw.org © 2015 Watch Tower Bible and Tract Society of Pennsylvania